**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°2 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 15 NTWARANTE 2023

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 15 Ntwarante 2023, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye ku magenekerezo ya 07 na 13 Ntwarante 2023, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'imigambi yo mu gisata c'indero kuva mu mwaka w'2022 gushika mu mwaka w'2030**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Mu mwaka w'2012, Uburundi bwarashizeho umugambi wo guteza imbere indero n'inyigisho. Gikuru muri uwo mugambi kwari ugutunganya ukundi inyigisho shingiro hakajaho igice ca kane, zigatunganywa ku buryo zokwakira abanyeshule benshi. Ariko ingorane zaciye zitera mu mwaka w'2015 be n'ibibazo vy'ubutunzi vyatumye uwo mugambi utaja mu ngiro nk'uko vyari vyateguwe, bica bisaba ko ivyategekanijwe bisubirwamwo.

Muri Rusama 2018, haciye hashirwaho Umugambi mfatakibanza w'indero warimwo impinyanyuro zifatiye ku wo mu 2012.

Mu mwaka w'2020 ikiringo c'uwo mugambi mfatakibanzo kirangiye, vyarashoboka ko ibintu bisubira ku murongo imigambi igashirwaho mu bisata bitandukanye.

Mu mwaka w'2019, Uburundi bwari bwatanguye kuraba ingene igisata c'indero cifashe kuva mu myaka yo kwimenyereza (préscolaire) gushika muri Kaminuza.

Hafatiwe k'ukugene ico gisata c'indero cifashe, Reta y'Uburundi yaciye isaba abo basanzwe

bafashanya, gufasha mugutegura umugambi mu gisata c'indero ku va mu mwaka w'2022 gushika mu mwaka w'2030, usubirira umugambi wo guteza imbere indero n'inyigisho wari wahejeje ikiringo.

Uwu mugambi wateguwe rero :

- Urerekana ingene igisata c'indero cifashe;
- Urerekana bikuru bikuru vyoshimikirwako n'ingene uroranye n'umugambi w'igihugu w'iterambere;
- Urerekana ivyoza imbere y'ibindi mu ndero;

Bikuru bikuru vyoshimikirwako ni ibi bikurikira :

- ✓ Kugwiza amashule;
- ✓ Gutanga inyigisho z'akanovera
- ✓ Gukomeza inyigisho za kaminuza n'ubushakashatsi;
- ✓ Gutunganya neza no gukomeza inyigisho z'ubuhinga n'imyuga ;
- ✓ Guteza imbere intwaro ibereye mu gisata c'indero

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje,** mu vyo yaterereye hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Mu ntumbero yo gutegura politike mu bijanye n'indero ku kiringo kirekire, Ubushikiranganji bw'indero bwoshikiriza ubundi bushikiranganji ivyavuye mu nama rukokoma yo kwihweza ikibazo c'indero, kugirango bitegurire umwiherero uzoba mu ntumbero yo guterera ivyiyumviro kuri ico gisata ;
- Ubushikiranganji bwose bworaba mu bisata bujejwe nimba hari ibihaze kubera bisaba ubumenyi n'inyigisho bidatangwa aha mu gihugu bakabimenyesha ubushikiranganji bw'indero bugaheza bukarondera ingene burungika abaja kuvyiga mu bindi bihugu ;
- Inyigisho zitangwa zofatira kuvyo igihugu gikeneye bigiteza imbere ;
- Birakenewe kwerekana ikizokorwa mu ntumbero yo kuduza ubumenyi mu rurimi rw'igifaransa, kuko arirwo rukoreshwa aha mu gihugu mu bijanye n'intwaro;
- Ururimi rw'icongereza rwotezwa imbere kuko ubu nirwo rukoreshwa cane kw'isi;
- Hokwerekanwa ingene ubushakashatsi bwororanishwa n'iterambere ry'igihugu;
- Amashule nderabigisha yosubira gukomezwa kandi hakarungikwayo abanyeshule baciye ubwenge, hagaca hihwezwa n'icokorwa kugirango umwuga wo kwigisha uhurumbirwe;
- Gutanga inyigisho zifise akanovera mu bice vyose no mu kwugara amashule adakwije ibisabwa ;
- Ubushikiranganji bw'indero bwokurikiranira hafi ingabire igihugu c'Ubufaransa cemeye kuronsa Uburundi yo kwubaka Ikigo cigisha imyuga nk'ic'i Rusi ;

- Kwimurira i Rusi ibikoresho biri mu bindi bigo ataco biriko birakoreshwa nk'ibiri mu Kigo kiri mu Buyenzi;
- Mu nyigisho zitangwa, hoshirwa imbere ibikorwa vyo gushira mu ngiro ivyizwe ;
- Kuronsa amashule amasuzumiro n'ibikoresho bifasha abanyeshule kwimenyereza ;
- Gutunganya ivyigwa hafatiwe kuco igihugu gishaka ku munyeshule ahejeje inyigisho;
- Gusuzuma ingene igisata ca kaminuza y'Uburundi cigisha ubuvuzi cifashe co kimwe n'ibindi bisata bihambaye vyo muri iyo Kaminuza;
- Gukora ibishoboka kugirango ibigo vyigisha imyuga biri mu Ntara zose z'igihugu bikore ico vyagenewe;
- Gukomeza Ikigo kijejwe guteza imbere ururimi rw'Ikirundi kugira Uburundi bwitegurire muri kazoza gutanga ivyigwa vyose muri mu Kirundi;
- Gukora ibishoka kugirango ku mutumba wa rusansuma wose habe hari ishule shingiro;
- Kunagura na ntaryo ubumenyi bw'abigisha;
- Kwubaka Ikigo c'igihugu kijejwe ubushakashatsi;
- Kuraba icokorwa kugirango incabwenge z'abarundi ntiziherere hanze y'igihugu

2. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano agenga Ishirahamwe nyafrika mu bijanye no gutumatumanako yateweko umukono kw'igenekerezo rya 07 Kigarama 1999 i Cap muri Afrika y'Epfo nk'uko yasubiwenwo i Harare kw'igenekerezo rya 10 Mukakaro 2014,** yashikirijwe n'Umushikiranganji wo kumenyesha amakuru, ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru, n'ibimenyeshamakuru

Iryo shirahamwe ryashinzwe kw'igenekerezo rya 07 Kigarama 1999 mu gihe hariko haba inama igira cumi na kabiri y'Abakuru b'Ibihugu n'ama Reta b'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika i Addis Abeba muri Etiyopiya.

Mu nyuma, bimaze kuboneka ko iterambere ry'ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako no guhanahana amakuru aribwo buryo bushobora gufasha Abanyafrika gutera imbere muri vyinshi, haciye hafatwa ingingo yo guhindura izina ry'iryo shirahamwe, kugirango ryugurirwe abikorera ivyabo, n'ubuhinga ngurukanabumenyi buronke ikibanza gikwiye.

Intumbero ni uko Afrika yogira uruhara mu bijanye no guhanahana amakuru mw'isi.

Iryo shirahamwe ubu rigengwa n'amasezerano yashizweho kw'igenekerezo rya 07 Kigarama 1999 asubirwamwo kw'igenekerezo rya 10 Mukakaro 2014.

Kuberako Uburundi ari umunywanyi w'iryo shirahamwe kuva mu mwaka w'1999, bukaba bwarateye umukono kuri ayo masezerano kuva ico gihe, birakenewe ko bwemeza ayo

masezerano asubiwemwo kugirango bushobore kuronka ivyo ayo masezerano ategekanya ku bihugu binywanyi.

Inama nshikitranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje,** ibanje kuyitosora muri tumwe tumwe.

3. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishiraho ingingo zishira mu ngiro Igitabu c'amategeko agenga uruja n'uruza mu kirere mu Burundi ku bijanye n'amahera atozwa n'igisata kijejwe uruja n'uruza mu kirere,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi

Uruja n'uruza rw'indege rusaba ibintu vyinshi, haba ku bijanye n'ivyuma, abajejwe kubikoresha no kubibungabunga.

Amahera atozwa n'igisata kijejwe uruja n'uruza mu kirere ku ndege zica mu Burundi agengwa n'amategeko yo mu 1989, 1995 n'2014.

Harabaye ibiganiro n'amashirahamwe afise indege kw'igenekerezo rya 16 Nyakanga 2021, mu ntumbero yo gusubiramwo urugero rw'ayo mahera atozwa n'ico gisata, kandi baremeye ko yofatira ku rugero rw'ayatozwa mu bindi bihugu bigize umuryango wo muri Afrika y'Ubuseruko.

Kubera kandi ayo mahera ashingwa n'amategeko atandukanye, vyabaye ngombwa ko ashirwa mw'itegeko rimwe rudende, kugirango vyorohe kuyasoma.

Kubera ko kandi hari ivyo ico gisata cakora ntihagire amahera arihishwa, ubu haragiyeho amatagisi mashasha yerekeye ivyo bitahora birihishwa .

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro**, yarayemeje**, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Umutwe w'iryo tegeko wohinyanyurwa neza ukavuga ko ari ibijanye no kurihisha amafaranga gusa;
- Igisata kijejwe uruja n'uruza mu kirere mu Burundi cotegekanya ingene gikoresha uburyo cinjiza;
- Igisata kijejwe uruja n'uruza mu kirere mu Burundi gitegerezwa kwama cerekana amahera mvamakungu cinjije ;
- Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta nawe nyene yoshira umukono kuri iryo tegeko ;
- Uburyo bukoreshwa n'ibisata bifise uburenganzira bwo kwitunganya butegerezwa kuboneka mu mahera Reta ikoresha kuko navyo nyene vyegamiye Reta.

4. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/311 ryo ku wa 27 Nyakanga 2012 ryemerera Reta y'Uburundi gushira umutahe mw'ishirahamwe « Global Port Services Burundi »,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi

Iyo nteguro yashikirijwe umushikiranganji w'ikigega ca Reta abanje gushikiriza icegeranyo c'umurwi w'abahinga washizweho ngo wige ivyashikirijwe n'inama nshikiranganji yo kw'igenekerezo rya 14 Gitugutu 2021 igihe yiga ico kibazo kijanye na Global Port Services Burundi.

Ivyari vyashikirijwe n'inama nshikiranganji navyo bikaba vyari ibi bikukurira:

- Guharura neza igiciro c' amatungo ya Reta, kugirango umutahe wa Reta muri Global Port Services Burundi uboneke neza ;
- Gutohoza neza kugirango hamenyekane ingene amato 18 Ububirigi bwasigiye Reta y'Uburundi ubu ari mu minwe y'Ishirahamwe ARNOLAC hanyuma ingingo zibereye zifatwe;
- Kurabo ko ayandi mato ahari, adakomoka kuri ayo ya Reta y'Uburundi ;
- Guharura neza uko amatungo ya Reta angana kugirango umutahe wa Reta muri Global Port Services Burundi uboneke neza ;
- Kuraba aho imanza ziri mu ma sentare zigeze, izaheze zije mu ngiro;
- Gusuzuma amakonte ashirwako amafaranga arihwa ku mazu canke ku bindi bikoswe.

Muri ico cegeranyo cashikirijwe, kw'igenekerezo rya 24 Kigarama 2012 , muri Global Port Services Burundi Reta y'Uburundi ifisemwo umutahe ungana n'umuliyaridi umwe imiliyoni amajana indwi na mirongo ine ibihumbi amajana abiri na mirongo ibiri na bitatu n'amajana icenda na mirongo icenda n'indwi (1 740 223 977 ) y'amahera y'amarundi, n'inyungu yari gushobora kuronka zigera ku miliyaridi zitatu imiliyoni amajana abiri na mirongo itatu na zine n'ibihumbi amajana ane na mirongo itandatu n'amajana icenda na mirongo indwi n'ane (3 234 460 974) gushika kw'igenekerezo rya 31 Kigarama 2020.

Birakenewe rero ko imitahe itunganywa ukundi.

Kubw'ivyo, Ubushikiranganji bw'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi bushikiriza ibi bikurikira :

- Gusubiramwo itegeko n°100/311 ryo ku wa 27 Munyonyo 2012 ryemerera Reta y'Uburundi gushira umutahe mw'ishirahamwe « Global Port Services Burundi »;

- Gushiraho inzego zitegekanijwe n'amategeko kugirango amasezerano ajanye n'ishingwa ry'imitahe asubirwemwo ;
- Gufatira ku mugambi Reta y'Uburundi iriko irarangura ujanye no gusanura no kwagura ikivuko ca Bujumbura, ico naco kikaba cari igikorwa ca Global Port Services Burundi itigeze ikora.

Muri iyi nteguro y'itegeko, hategekanywa ko Reta y'Uburundi izoba ifise muri Global Port Services Burundi umutahe ungana n'umuliyaridi imwe imiliyoni amajana indwi na mirongo ine ibihumbi amajana abiri na mirongo ibiri na bitatu n'amajana icenda na mirongo icenda n'indwi (1 740 223 977 ) y'amahera y'amarundi, ni ukuvuga ibice mirongo itandatu na bine kw'ijana birenga gatoyi (64,21%) ku mutahe w'iryo shirahamwe wose ungana na miliyaridi zibiri n'a miliyoni amajana indwi na cumi ibihumbi amajana abiri na mirongo ibiri na bitatu n'amajana icenda na mirongo icenda n'indwi (2.710.223.997 ).

Iryo tegeko kandi rizoca rishirwa mu ngiro, ariko guharura bitangurire kw'igenekerezo rya 24 Kigarama 2012.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro **yarayemeje**, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Kunyarutsa ishirwaho ry'iri tegeko kugirango inzego zijeho vuba;
- Kumaririza ivyerekeye ishirahamwe ryitwa EPB n'ayandi mashirahamwe ya Reta yose yahomvye;
- Abashikiranganji bose begwa n'ibiri mu cegeranyo c'uwo murwi w'abahinga basabwa gutegura intunganyo y'ingene bazobishira mu ngiro, bakazokurikiranirwa hafi n'ibiro vy'Umushikiranganji wa mbere.

5. **Umugambi wo kwubaka ihinguriro ry'umwavu w'ikizungu ku mutumba Jenda, Komine Bugendana, Intara ya Gitega**, washikirijwe n'Umushikiranganji w'Ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Reta y'Uburundi yashize uburimyi mu biza imbere y'ibindi mu guteza imbere ubutunzi.

Kimwe mu biteza imbere ubwo burimyi ni kuronka imbuto nziza n'ifumbire nyayo.

Haraheze imyaka itari mike ifumbire iguma ironderwa cane kuko mu mwaka w'2013 hakenewe amatoni ibihumbi cumi na bitatu (13 000), mu gihe mu mwaka w'2022 haronderwa amatoni ibihumbi mirongo icenda (90 000). Ihinguriro FOMI ntiryashoboye kuronka iyikwiye abarimyi.

Ishirahamwe ISABU rimaze kugira ivyigwa vy'ingene isi imera mu bice vyose vy'Uburundi mu mwaka w'2022, vyaribonekeje ko isi ibuze ivyunyunyu, bikenewe rero ko isi yofumbirwa kugirango ico kibazo gitorerwe umuti.

Iyubakwa ry'iryo hinguriro rero rizotorera umuti ico kibazo. Bizofasha igihugu kudasubira kugurira hanze y'igihugu ifumbire yunganira iyikorwa n'ishirahamwe FOMI.

Intumbero y'uwo mugambi ni ukugwiza umwimbu biciye mu gukora ifumbire ifatiye ku ntara imwe imwe yose, bivanye n'isi yaho ingene imeze.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi **yarawushigikiye**, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Gukora ibishoboka kugirango iyo fumbire ize ari nziza;
- Gukorana n'abahinga bo mu busikiranganji bw'Uburimyi n'abo muri Kaminuza y'Uburundi muri uwo mugambi ;
- Gukingira amahinguriro yo ngaha mu gihugu be n'ibivumbuwe n'Abarundi

6. **Urwandiko rwerekeye ibiti ishiraghamwe BTP risaba kw'izina rya REGIDESO na ABER,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Ishiramwe BTP ryasavye ibiti ibihumbi indwi (7000) kw'izina rya REGIDESO na ABER, ariko ikigo OBPE gisanga mu mashamba gifise nticoshora gukwiza ivyo biti. Twomenyesha ko ishirahamwe BTP ribanza guhingura ivyo biti bitwara umuyagankuba imbere yo kubigurisha kuri ayo mashirahamwe.

Igiti kimwe gitwara umuyagankuba kigurwa amahera arenga gato ibihumbi mirongo ine n'amajana indwi na mirongo umunani n'icenda (40789,264), mu gihe REGIDESO canke ABER ica igura igiti gihinguwe gitwara umuyagankuba muke ibihumbi amajana abiri na mirongo itatu n'umunani (238.000 Fbu) canke ibihumbi amajana abiri na mirongo itandatu n'umunani (268 .000 Fbu) bivanye n'umuyagankuba gitwara.

Hihwejwe uko ibitara vya Reta vyifashe ubu, ibiti bikwije ibisabwa biragoye kuboneka, arico gituma uru rwandiko rusaba ko hokoreshwa ubundi buryo nk'ivyuma, canke kwubaka, canke ibiti bikaronderwa mu bitara vy'abantu.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwa rwandiko, **yashikirije** ibi bikurikira:

- Hari itandukaniro rinini cane hagati y'amahera igiti kigurwako muri OBPE n'ayo kigurishwako muri REGIDESO na ABER;
- OBPE yokwivuganira yo nyene na REGIDESO na ABER atawurinze kuja hagati ;

- Ku bijanye no kwubaka iminara ifasha mu gutwara umuyagankuba, ayo mashirahamwe yorahura ubwo buhinga mu bihugu vyo ngaha mu karere bikoresha ubwo buryo.

7. **Urwandiko rujanye n'ishingwa ry'igiciro c'ikawa idatonoye muri uyu mwaka w'2023 ushira uw'2024,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Urwo rwandiko rusigura ivyakurikijwe mu gushinga igiciro c'ikawa idatonoye ku mahera y'amarundi angana igihumbi n'amajana abiri (1200).

Ico giciro cashinzwe hafatiwe k'ubwiza bw'ikawa, ingene igurwa i New York, ingene isumbasumbana mu bwiza ufatiye k'ukugene igurwa i New York, uburyo isaba gushika yimburwe, uburyo bukenerwa mu guteza imbere ico gisata, tagisi irihwa muri Komine, be rero n'ingene idolari ry'abanyamerika rivunjwa mu mafaranga y'amarundi.

Inama nshikiranganji yihweje urwo rwandiko, yashikirije ibi bikurikira :

- Gusubiramwo ibiharuro kuva kw'irimwa ry'ikawa gushika kw'ishorwa ryayo kugirango umurimyi agurirwe ku giciro gishimishije. Hazoshirwaho umuri ugizwe n'abaserukira ubushikiranganji bw'uburimyi n'ubworozi babiri, uwuserukira ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta, uwuserukira ubushikiranganji bw'ubudandaji, n'uwuserukira Ibiro vy'umushikiranganji wa Mbere azoba awurongoye kugirango bakore ico gikorwa. Icegeranyo kizoshikirizwa Umushikiranganji wa Mbere kugirango ace afata ingingo.
- Ivyo biharuro vyokorwa no ku bindi biterwa njabukamazi kugirango umurimyi ntahotorwe;
- Gusubiramwo amategeko agenga ODECA kuko mu bisanzwe ntiyokurikiranira hafi abakorera mu gisata c'ikawa ngo yongere ibe ariyo igura ikawa;
- Gukora icirwa kijanye no kuraba ingene ODECA itunganijwe n'ingene ikora (Audit mu rurimi rw'igifaransa)
- Gukurikiranira hafi dosiye y'abashoye ikawa hanze y'igihugu hanyuma ntiberekana amahera mvamakungu bayidandaje ;
- Gushinga ikigega kijejwe kugumiza ku rugero rumwe ibiciro vy'ibiterwa njabukamazi naho ivyo biciro vyogabanuka kw'isoko mpuzamakungu (Fonds de stabilisation des prix des produits d'exportation) ;
- Gukora icigwa cerekeye idandazwa ry'ivyimburwa vyose kugirango umurimyi agurirwe ku giciro nyaco n'umuguzi ntazimbwe mu kugabanya abaranguzi benshi baja hagati y'umurimyi n'umuguzi ;
- Gushira mw'ikomine imwe imwe yose iyegeranirizo ry'ivyimburwa vyo kudandazwa ;
- Mu kurindira ko hubukwa inzu y'idandarizo ry'ivyahinguwe n'amashirahamwe y'urwaruka, inyubakwa yitiriwe imico kama n'utugenegene yoba iratiro ry'ivyo bidandazwa, gurtyo uwipfuza kubigura akabibona.

8. **Urwandiko rwerekana ingene isanurwa ry'ibarabara rikuru n°3, Igice ca Rumonge – Gitaza (45 Km) n'ibindi bikorwa biryerekeye vyifashe,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro

Urwo rwandiko rusigura ibijanye n'ingene ibikorwa bimwe bimwe bijanye n'uwo mugambi vyotunganywa ukundi bivuye kw'ihindagurika ry'ibihe, ibidukikije vyononekara, n'ingene ingene iryo barabara ryokomezwa kuruta.

Bikuru bikuru bituma haba ibihinduka muri uwo mugambi ni ibi bikurikira:

a) Amazi ya Tanganyika yaduze kuva mu mwaka w'2019 atuma hiyongerako ibikorwa bitwara uburyo bwinshi bijanye no gikingira inkombe z'ico kiyaga hagati ya Gitaza na Magara be n'i Kagongo

b) Kwongera kuduza ibarabara bikaba bisaba uburyo bwinshi.

c) Inkombe z'ibarabara zisenyuka bisaba kuzikomeza ;

d) Inzuzi zuzura, bikaba bisaba kwagura inkombe zazo ;

e) Ukwongera uwo mugambi ikiringo c'amezi cumi n'abiri, bifise ingaruka ku buryo bukoreshwa.

f) Kwimura intsinga canke ibiti bitwara umuyagankuba (ivya Regideso na BBS).

Muri rusangi, gushika mu mpera z'ukwezi kwa Ruhuhuma 2023 ibikorwa vyari ku rugero rw'ibice mirongo itatu na bitanu n'ibice bitanu kw'ijana ( 35.5%), mu gihe umwanya wategekanijwe wari umaze gukoreshwa ku bice mirongo indwi na bitanu kw'ijana (75%).

Ibikorwa birabandanya ku gice ca Rumonge - Minago (20 km) ata ngorane nini zihari.

Ku gice ca Minago –Magara (10 km) ibikorwa nyezina ntibiratangura kuko birindiriye ingingo ya Reta ku bijanye n'uburyo bukenewe.

Muri uru rwandiko, Reta isabwa kurondera amahera y'amarundi angana na miliyaridi cumi n'umunani imiliyoni amajana atandatu n'indwi n'ibihumbi amajana atanu na cumi n'indwi n'amahaera amajena atanu (18.607.517.500 FBU) abuze, no kwemera ko uwo mugambi wotunganywa mu bice bibiri, ni ukuvuga : Ibirometero mirongo itatu (Rumonge-Magara) bizosanurwa n'amashirahamwe SOGEA-SATOM na GETRA, be n'igice ca Magara-Gitaza kingana n'ibirometero cumi na bitanu (15 km) gikeneye ibindi vyigwa kugira gikomezwe kuruta.

Inama nshikiranganji yihweje urwo rwandiko yasanze **ibirimwo vyumvikana** ica isaba umushikiranganji w'ikigega ca Reta kugira akigoro kugirango uburyo bukenewe biboneke kugira iryo barabara rikorwe.

9. **Integuro y'amasezerano yerekeye guteza imbere igisata c'ubuhinga n'amahinguriro hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Tuniziya,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu no gufashanya mw'iterambere

Igihe haba inama igira cumi n'umunani y'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa yabereye i Djerba muri Tuniziya kw'igenekerezo rya 20 Munyonyo 2022, umushikiranganji w'Uburundi ajejwe imigenderanire be na mugenziwe w'igihugu ca Tuniziya baboneyeho akanya ko gushira umukono ku masezerano yo gufashanya mu gisata co guteza imbere ubuhinga n'amahinguriro.

Intumbero nyamukuru ni uko imigenderanire hagati y'ibihugu vyacu yotera imbere biciye mu gufashanya muri ico gisata.

Mu gihe Uburundi bwipfuza kuronka amahinguriro agezweho, birakenewe ko buronka abo bufashanya mu gisata c'ubuhinga n'amahinguriro kugirango giteze imbere ubutunzi, amahinguriro aje ku rugero ashobora gihiganwa n'ayandi yo mu bindi bihugu, n'ibindi.

Inama nshikiranganji yihweje iyo nteguro, **yarayemeje**.

10. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ingingo zimwe zimwe z'ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 20 Rusama 2021 risubiramwo ibwirizwa n°1/17 ryo ku wa 25 Nyakanga 2007 ritunganya ivyerekeye itorokanywa ry'ibiharuro (statistiques) mu Burundi** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutegekanya imigambi y'iterambere.

Mu ntumbero yo kugumana ibiganiro hagati y'abageranya ibiharuro mu Burundi be n'abajejwe kubikoresha, Igisata c'igihugu kijejwe kuvyegeranya, gishigikiwe n'ishirahamwe mpuzamakungu Onu caratunganije uruganda ku bijanye n'intwaro ibereye mu vyerekeye ivyo biharuro, muri Munyonyo 2022.

Urwo ruganda rwatunganijwe kubera ko ivyava mw'ishirwa mu ngiro ry'ibwirizwa ritunganya ivyerekeye itorokanywa ry'ivyo biharuro bitashimwe na bamwe bamwe mu basfashanya n'Uburundi no mu babikoresha.

Muri urwo ruganda, icapfunditswe ni uko amategeko agenga itororokanywa ry'ivyo biharuro yosubirwamwo, kugirango ibibazo bihari bitorerwe inyishu, no kugirango hisungwe ubuhinga bwa none mu kwegeranya ivyo biharuro, bisanzwe bishigikira imigambi y'iterambere.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro ishikirijwe, kugirango ingingo zimwe zimwe ziri mw'ibwirizwa ritunganya ivyerekeye itororokanywa ry'ivyo biharuro zisubirwemwo, gurtyo iryo birizwa rishobore gushika ku ntumbero ryashiriweho. Ingingo zisubirwamwo zijanye n'ibi bikurikira :

- Gutomora ivyerekewe n'ivyo biharuro ;
- Ubwigenge mu mwuga wo kwegeranya ivyo biharuro ;
- Ingene abakoresha ivyo biharuro bagishwa inama;
- Ugukurikiranira hafi iyegeranya ry'ibiharuro n'ibijanye n'uburyo;
- Uruhusha rwo kwegeranya ibiharuro.

Izo mpinyanyuro zizotuma ivyo biharuro vyizerwa ntihagire abasubira kugira urwitwazo, haba mu bafashanya n'Uburundi canke muri abo bose bafise uruhara mu bijanye n'ubutunzi n'imibano ngaha mu Burundi.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ica ishikiriza ibi bikurikira :

- Kuyandika neza, ingingo zasubiwemwo zikerekanwa mu mvo n'imvano ariko ibwirizwa rikajamwo ingingo zose ni ukuvuga izasubiwemwo n'izitasubiwemwo ;
- Kuricisha mu gisata kijejwe guhinyanyura amategeko kugirango kiritosore neza congere kirishire mu rurimi rw'Ikirundi

11. **Integuro y'imigambi Reta itegekanya kurangura kuva mu mwaka w'2023 gushika mu 2026**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere

Iyi nteguro yatunganijwe mu gihe hari ibiriko birahinyanyurwa mu bijanye n'ikoreshwa ry'amahera y'igihugu, nk'uburyo butegekanywa hafatiwe ku gikorwa kizorangurwa, isubirwamwo ry'indinganizo y'ibizorangurwa imbere y'ibindi biri mu mugambi w'igihugu w'iterambere, ico Uburundi bwipfuza gushikako kuva mu mwaka w'2040 gushika mu mwaka w'2060, n'inaguka ry'imigenderanire hagati y'Uburundi n'abo bafashanya mw'iterambere.

Iyo migambi igizwe n'icegeranyo c'iyashikirijwe n'ubushikiranganji bwose mu ntumbero yo gushira mu ngiro Umugambi w'igihugu w'iterambere.

Iri mu mirwi ibiri, ni ukuvuga iyiriko irarangurwa imaze kuronka uburyo, be n'iyikirondererwa uburyo.

Iyi nteguro igizwe n'imigambi amajana atatu na mirongo umunani n'ibiri (382), muri iyo ijana na mirongo icenda n'ibiri (129) ikaba iriko irashirwa mu ngiro, ijana na mirongo itanu n'umwe (151) nayo ikaba ikiriko irategerwa, mirongo itandantu n'itandatu (66) ikaba ari mishasha yemejwe, mirongo itatu n'itatu (33) nayo ikaba ari iyikiri mu vyiyumviro.

Aho iyi nteguro itandukaniye n'iz'imbere yayo, iyi irerekana icitezwe gushikwako, mu kwerekana ibikorwa nyezina bizorangurwa bijanye n'umugambi, be n'icemezo kigaragaza ko ivyo bikorwa vyaranguwe koko.

Muri uyu mwaka w'2023 ushira uw'2024 uburyo buhari bujejwe imigambi bungana na miliyaridi igihumbi kimwe n'amajana abiri na mirongo itandatu na zitanu z'amahera y'amarundi (1265) ni ukuvuga ko ugeranije n'umwaka uheze hiyongereyeko ibice bitandatu kw'ijana birenga (6,82%).

Inama nshikirangannji imaze guca hiryo no hino iyo nteguro, **yarayemeje** , ica ishikiriza ibi bikurikira:

- **Imigambi ikurikira niyo yashikirijwe ko yoshirwa mu ngiro imbere y'iyindi muri uyu mwaka w'2023 ushira uw'2024 :**
    - Kwubaka urugomero rwo kuvomera rwa Kajeke
    - Guteza imbere uburimyi n'ubworozi mu Kigo RUGOFARM co mu Cibitoke
    - Gusanura Ikibuga c'indege citiriwe Merikoyori NDADAYE
    - Umugambi wo kworora inkwavu
    - Gushiraho ubuhinga bwa none bwo kwegeranya amahera ya Reta.

Ubushikiranganji iyo migambi yerekeye, bwasabwe gutegura ningonga ibijanye n'uburyo iyo migambi ikeneye.

- **Imigambi ikurikira nayo niyo iza ubugira kabiri mu yihutirwa mu mwaka w'2023 ushira uw'2024**
    1. **Mu burimyi n'ubworozi**:.

        - Guteza imbere uburimyi n'ubworozi mu Cibitoke ku hegitari igihumbi n'amajana ana (1400) n'i Karuzi ku hegitari amajana atanu (500) mu gutegekanya kuhavomera no kurimisha amamashini ;

- Kwubaka ubushinguro bubiri bw'ivyimburwa ku buhinga bwa none i Karuzi n'i Ngozi
- Kwubaka ibigo vyo kugwirizamwo inka (Karuzi, Bitezi, Ruyanza, Bitare, Kigarika, Randa), ingurube (Karuzi), inkoko (Gitega) inkwavu (Kayanza n'i Gitega)

2. **Mu nyubako**
    - Kwubaka ibirometero bitanu bitanu vy'amabarabara ashashemwo amabuye ku mirwa mikuru y'intara za Muyinga, Kayanza, Makamba, Cankuzo, Rutana na Gitega
    - Gusanura amabarabara yo mu Ntara zikurikira :
        i. Kirundo-Busoni-Bwambarangwe-Giteranyi-Kobero-Butihinda-Gashoho
        ii. Mugwi-Bukinanyana
        iii. Gatobo-Kiremba-Marangara-Ntega-Kanyinya
        iv. Bukeye-Butaganzwa
        v. Gatabo-Mbuye-Rango-Muhanga-Gahombo-Gatara-Kayanza
        vi. Kumoso- Muzye- Kurubaho-Giharo-Ruyigi-Kinyinya
        vii. Kigwena-Kaberenge-Kivuruga
        viii. Isale-Bugarama
    - Kwubaka uburaro igihumbi (1000)
    - Kwubaka uruzitiro rw'ikivuko kw'isi yumye rw'i Kuala (Tanzaniya)

3. **Amagara y'abantu**
    - Kwubaka ibitaro vya Komine mirongo itatu n'indwi (37)
    - Kwubaka ikigo gipima kikongera kivura Kanseri i Gitega

4. **Ubutare n'agataka**
    - Guha umuyagankuba ibisagara mirongo itatu na bitandatu (36) harimwo imirwa mikuru ya Komine mirongo ibiri n'umwe (21)
    - Kwubaka ihinguriro ry'ibizuku

Ibindi vyashikirijwe ni ibi bikurikira :

❖ Imigambi isanzwe iriko iragangurwa ntizoca ihagarara, izobandanya.
❖ Ku bijanye n'urugomero rwa Kajeke, gushiraho umurwi uzokwerekana utunenge urwo rugomero rufise.
❖ Kuvyerekeye umugambi wo kwubaka Ikigo co gupima no kuvura Kanseri, kuvugana n'ishirahamwe Mpuzamakungu rijejwe amasoko ntanganguvu adasanzwe(Agence Internationale de l'Energie Atomique) kugirango rishigikire mu bijanye n'uburyo ;

- Kubijanye na Rusansuma itegekanijwe muri uyu mwaka , kwegera abafashije mu kugira urutonde rw'urwaruka rufise impapuro z'umutsindo aha mu gihugu bagire ico batereye kuko berekanye ko babifitiye ubuhinga.

Mu guheraheza, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yasavye ubushikiranganji bwose kuja imbere y'abenegihugu kugirango bubabere akarorero mw'ishirwa mu ngiro ry'iyi migambi kugirango ubutunzi butere imbere.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 16 Ntwarante 2023

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE